| | |
|---|---|
| UMWIDONDORO | PAS35B |
| Ubwoko bw'idokima | Itegeko |
| Uburyo bikoramwo | Network CVPH/AHMC/ECH |
| Urwego rwa nyeneyo | Umuyobozi wa Patient Access |
| Urwego rw'umukozi yavyemeje | VP Network ujejwe ivyinjira |
| Amatariki y'ishirwa mu ngiro | 10/20/2024 |
| Itariki y'ihinyanyurwa rikurikira | 10/31/2025 |

**URWEGO**: Imbogamizi ku yishuzwa (AGB) & HFAL

**IMPAMVU**: Mu gushiraho amaegeko ngenderwako hamwe n'intumbero ku mafaranga yasabwa umugwayi yemerewe guhabwa ubwunganizi.

**URWANDIKO RW'AMATEGEKO NGENDERWAKO**: Hisunzwe amategeko IRS 501r, The University of Vermont Health Network – NY Partners izogabanya amafaranga ishira ku mugwayi yemerewe Financial Assistance Program yacu ku mafaranga asanzwe ashirwa kuri fagitire (AGB) ku bantu bafise asiransi ku buvuzi bwihuta canke ubuvuzi bwa nkenerwa. Hisunzwe State of New York, PHL 2807-k hari n'izindi ngingo zivyo tugabanya ku bagwayi batagira asiransi

**Amategeko araba UVMHN Partners bakurikira:**

Champlain Valley Physicians Hospital
75 Beekman Street
Plattsburgh, NY 12901

Alice Hyde Medical Center
133 Park Street
Malone, NY 12953

Elizabethtown Community Hospital
75 Park Street
Elizabethtown, NY 12932

**INDINGANIZO**:

1. The University of Vermont Medical Health Network, NY Partners baraharura amafaranga ari kuri fagitire z'abagwayi batagira asiransi ku mwaka hama bakagabanya rero ayo bishuza abagwayi ku maseruvise yashizwe mu bwunganizi. AGB aharugwa mukwezi kw'icumi hama akajana na seruvise zose zatanzwe mu mwaka mushasha ujanye n'ubutunzi.

2. UVMHN NY Partners barakoresha uburyo bwa uburyo bwo kuraba ivyakozwe mu guharura AGB kandi bagashiramwo uburyo bw'igihugu n'ayabacuruzi: neza Medicare, Medicare ACO, Medicare Advantage hamwe n'ayatangwa n'amasiransi y'abacuruji/abigenga.

3. Hisunzwe amategeko ya IRS, UVMHN NY Partners irashiramwo ivyasabwe mu mwaka uheze hamwe n'ayishuzwa umugwayi ubwiwe. Ivyasabwe vyigwako ni amafagitire yarishwe mu mezi 12, atari amaseruvise yatanzwe muri ico gihe. Mu gihe ivyasabwe bitaherahejwe gushika ku musi wanyuma w'amezi 12, ntibaheza ngo bijemwo mu biharuro vy'umwaka.

4. Mu guharura igitigiri gisanzwe c'ifagitire, turashiramwo amafaranga yose yemewe n'ikigo ca asiransi hongeweko n'amafaranga umugwayi azoriha. Aha hashobora kujamwo, ayo umuntu yirihira, n'ibice umunu ariha iruhande y'aya asiransi hamwe n'ayo akurigwako.

5. Mu gutanga asiransi dushiramwo amafaranga canke/ seruvise bisanzwe bihindurwa, UVMHN NY Partners baragabanya ibitigiri ku mpinyanyuro zakozwe kubera habuze uruhusha. Aya mafaranga ntarekuriwe uwuriha agashirwa ku gitigiri ca yose.

6. Muri ivyo biharuro harajamwo igitigiri cemewe n'uwutanga asiransi, havuyemwo ivyashizwemwo kubera kubura uruhusha rw'ubuyobozi, aya mafaranga agaca agaburwa n'amafaranga yose ya fagitire kuvyasabwe.

7. Ibiharuro bijanye n'umwaka Fiscal Year 2024 (Kuwa 1 Ukwezi kw'icumi 2023 – Kuwa 30 Ukwezi kw'icenda 2024) nico gitigiri gito c'ubufasha bushobora guhabwa abemerewe ubwunganizi:

   a. Champlain Valley Physicians Hospital: 64%
   b. Alice Hyde Medical Center: 44%
   c. Elizabethtown Community Hospital: 51%

8. Hisunzwe New York State Law, abagwayi bafise n'abatagira asiransi baragirigwa ukugabanirizwa guto kugendeye ku biharuro vya HFAL nk'uko biri aha hepfo. N'ubwo amabwiriza atabitegeka, amategeko yacu azoshiraho urugero rw'ihinyanyugwa ribereye ruhuriweko n'ibitaro bitatu dukorana, mu gushira ku rugero rumwe abagwayi bafise asiranse n'abari musi kuri asiransi mu bitaro bitatu vya UVMHN New York.

| **Urugero rw'ubutunzi** | **Ukwishura** |
|---|---|
| **Musi ya 200% FPL** | Guheba fagitire zose |
| **200% - 300% FPL** | Abagwayi batagira asiransi: Ukugabanya ku bice 10% vy'amafaranga yari kurihwa kuri seruvise na Medicaid.<br><br>Abagwayi bafise asiransi ariko bariha meshi: Gushika ku bice vya 10% vy'amafaranga yari kurihwa hisunzwe ayo umugwayi yari kuriha iruhande y'aya asiransi. |
| **301% - 400% FPL** | Abagwayi batagira asiransi: Ukugabanya ku bice 20% vy'amafaranga yari kurihwa kuri seruvise na Medicaid.<br><br>Abagwayi bafise asiransi ariko bariha meshi: Gushika ku bice vya 20% vy'amafaranga yari kurihwa hisunzwe ayo umugwayi yari kuriha iruhande y'aya asiransi. |

9. Urugero rw'iharurwa rihuriweko kuri AHMC, CVPH na ECH ku mwaka Fiscal Year 2025 ni:

   a) Abagwayi babikwiye <u>bafise asiransi</u> bazoronswa uturusho hisunzwe FPL (guharura abari musi ya asiransi si ngombwa mugihe ayagabanijwe arenga ayasabwa n'amategeko):
      - < 250% vya FPL ni ukugabanirizwa 100% y'ayo wishuzwa havumwo asiransi
      - < 300% vya FPL ni 10% vya meshi ashoboka muyo wishuzwa havumwo asiransi
      - < 400% vya FPL ni 20% vya meshi ashoboka muyo wishuzwa havumwo asiransi

   b) Abagwayi babikwiye <u>batagira asiransi</u> bazoronswa uturusho hisunzwe FPL
      - < 250% vya FPL ni ukugabanirizwa 100%
      - < 300% vya FPL ni ukugabanirizwa 98%
      - < 400% vya FPL ni ukugabanirizwa 96%

10. Mu gihe habaye guceregwa mu kugaragaza ko umuntu abikwiye kandi hisunzwe amategeko y'umutekano, ibitaro vyose birishura amafaranga ayariyo yose arenze kuri fagitire AGB y'umugwayi ku bikorwa vyari kuba vyashizwe ku bwunganizi mu misi 240 kuva dosiye yemejwe. Ico kumenya n'uko ayarenga kuyarishwe ashobora kuja kuzindi fagitire zasigaye imbere y'uko umugwayi asubizwa.

**INDINGANIZO Y'UGUKURIKIRANA IBIKORWA:**

Isuzumwa z'umwaka

Ugusubiramwo EHR Automation

**INSIGURO**:

**Guhindura imitegekere**: Uguhinyanyura canke ugukuraho ideni kuri konte y'umuntu, akarorero ukubura uruhusha, n'ibindi.

**Ingano y'amahera yemewe:** Igitigiri kinini gishoboka c'ukuriha umugambi urihira ubuvuzi bwakozwe

**Ayishuzwa yose:** Igitigiri ca yose asabwa kuri seruvise zakozwe imbere y'ihinyanyugwa n'ukugabanya

**Imbogamizi ku yishuzwa:** Ibitaro vyose vyahebewe amatagisi bitegerezwa kugabanya ku mafaranga basanzwe basaba ku buvuzi bwihutirwa canke ubuvuzi bwahawe abagwayi bemerewe inyunganizi ku rugero rw'abagwayi bafise asiranse, kandi ntibashobora gukoresha igitigiri ca vyose.

**Uburyo bwo kuraba ivyakozwe:** Isuzumwa ry'ivyishuzwa vyarishwe n'amasiransi mu mwaka warangiye.

**AMATEGEKO BIJANYE:**

PAS1B Financial Assistance Program

**IBIREBERWAKO:**

IRC § 501®(4):
IRC § 501®(5):
IRC § 501®(6):
NYS PHL§2807k

**ABASUZUMYI:**

Katherine A Peterson, AVP ujejwe ivyinjira, AHMC/CVPH
Susan Vogelzang, Umuyobozi ujejwe guharurira abagwayi muri AHMC
Christine Cook, Umuyobozi wa seruvise z'ubutunzi ku bagwayi, ECH/PMC
Kirsten Pope, umuyobozi ujejwe kugenzura no kubahiriza mu kigo, CVPH
Shannon Lonergan, AVP Patient Access, CVMC/ECH/PMC/UVMMC

**NYENEVYO:** Melissa LaMountain, Umuyobozi wa Patient Access mu karere

**URWEGO RUJEJWE KWEMEZA:** VP Network ujejwe ivyinjira